KIDS GOD WORSHIP
www.kidworship.kr

# Yakobo I (Yakobo na Esau)

- 9th Story -


58Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Isaka ana Rebeka bavyaye abahungu b’amahasa. Umuhungu mukuru yari atamuye cane kandi yarakatse umubiri wose wari wuzuye ivyoya. Isaka amwita Esau. Murumunawe, yavutse afashe igitsintsiri ca Esau, nawe amwita Yakobo. Naho Esau na Yakobo bavukiye rimwe, bari batandukanye. Esau yari akomeye kandi abangutse akunda kwiruka mu mashamba, yari yakuze akunda guhiga. Se wiwe Isaka yakunda cane Esau. Yakobo we yari umusore ahoze yakunda kwigumira muhira, akaragira ibitungwa akongera agafasha nyina wiwe udukorwa two munzu, Rebeka yaramutonesha cane. |


59Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Umunsi umwe Yakobo yariko arateka ibiharage. Esau yara-vuye guhiga ashonje cane. |
| Esau | “Yakobo! Reka ndyeko, urampa?” |
| Yakobo | “Banza wemere ko mba samuragwa mpeze ndaguheko. ” |
| Esau | “Ubusamuragwa bwanje?? Sawa, ntangorane. Kuba samu-ragwa bimariye iki kandi nshonje cane?” |
| Uwuvuga | Muri ubwo buryo Esau ntiyitayeho ivyo kuba samuragwa akora ivyo Yakobo amusavye. |


60Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Haciye igihe kinini, Isaka ashaje n’amaso yiwe asigaye abona ivyijiji. Umusi umwe, Isaka ahamagara Esau. |
| Isaka | “Esau, genda umpigire inyama z’ibikoko ziryoshe hama nda-guhe umuhezagiro ntarapfa.” |
| Esau | “Nivyo? Reka niruke.” |
| Uwuvuga | Esau arasohoka agenda anezerewe. |


61Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Rebeka yariko arumviriza igihe Isaka yabwira Esau. Rebeka yakunda Yakobo gusumba Esau. |
| Rebeka | ‘Vyoba vyiza Yakobo aronse uwo muhezagiro.’ |
| Uwuvuga | Rebeka ahamagara Yakobo aramubwira. |
| Rebeka | “Yakobo genda mu busho utoremwo impene nziza ndayite-gurire so wawe, zicumbe uzimushire aguhe umuhezagiro at-arapfa” |

| | |
|---|---|
| Yakobo | “Ariko mawe, Esau mukuru wanje afise umubiri ukatse ivyoya nanje nkaba ndigiharabuga hamwe data yonkorako yoca amenya ko ntari Esau.” |
| Rebeka | “Wewe pfa kugenda gusa ukore ivyo ndakubwiye.” |
| Uwuvuga | Rebeka araziteka ziricumba nk’uko Isaka asanzwe azikunda, hama aca yambika Yakobo impuzu za Esau, mu biganza vyiwe n’umubiri amwambika isato z’impene. |



62Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Yakobo afata za nyama zatetswe na nyina yinjira iyo Se ari. |
| Yakobo | “Data!” |
| Isaka | “Uri nde?” |
| Yakobo | “Nijewe Esau. Ndakwinginze uvyuke wicare ufungure ivyo nahize hanyuma uheze umpezagire.” |
| Uwuvuga | Yakobo yarafise umutima uhagaze ko ashobora guhinyuka. |
| Isaka | “Egera hino muhungu wanje ndagukoreko numve ko uri Esau canke utariwe.” |
| Uwuvuga | Isaka aramukorako. |
| Isaka | “ Ijwi numva ari irya Yakobo ariko ibiganza ni Esau, nibaza ko nari nihenze.” |
| Uwuvuga | Isaka yari ashaje cane amaso yiwe yari asigara abona ivyijiji yibaza ko ariko aravugana na Esau. Arafungura hama arahezagira Yakobo. |



63Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Inyuma ya kanya gato , Esau aratabaruka avuye guhiga . Araheza nawe ategura za nyama zicumvye hanyuma azishira Se. |
| Isaka | “Urinde?” |
| Esau | “Data ndi umuhungu wawe Esau.” |
| Isaka | “None sinamaze kuguhezagira.” |
| Uwuvuga | Esau araturikisha aborogana n’umubabaro mwinshi. |
| Esau | “Data, Yakobo yampemukiye kabiri kose, ubwa mbere yanyatse kuba samuragwa none asubiriye n’umuhezagiro wanje . Mpezagira nanje!” |
| Isaka | “Erega umuhezagiro namaze kuwuha Yakobo. None ndaguhe iki? ” |
| Uwuvuga | Esau araturikisha ararira yanka urunuka murumunawe Yakobo. |
| Esau | “Nzokwica Yakobo niyo data yapfa.” |
| Uwuvuga | Rebeka yibundira Esau yumva imigabo yiwe hanyuma aburira Yakobo ngo ahungire kwa inarume Labani aheze abeyo. |